Bibiliya y'Abana

Ishikirije



Nowa hamwe n'Umwuzurira

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na: Byron Unger; Lazarus

Isobanurwa mu Kirundi na: Rémy Christian NTIRURIKURE

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Inkuru 3 kuri 60

www.M1914.org

Bible for Children, *PO Box 3, Winnipeg, MB R3C 2G1 Canada*

Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Ikirundi

Kirundi





Abantu bashobora kuba baramusuzuguye igihe Nowa yabasigurira igituma yubaka ubwato. Nowa arabandanya kwubaka. Arabandanya no kubabwira ivy'Imana. Nta n'umwe yateze ugutwi.

3

Nowa yarafise ukwizera gukomeye. Yizeye Imana n'aho imvura itari bwigere igwa imbere y'aho. Haciye igihe, bwa bwato bwari bwuzuye kugira baheze bashiremwo ivya nkenerwa.

4

Ubwo rero haza ibikoko. Imana izana indwi ku bwoko bumwe bumwe, ubundi bwoko bibiri bibiri. Inyoni nini na ntoya, ibikoko bito bito na binini bifata inzira yo mu bwato.

5

Hari n'aho, abantu baterera mw'ijwi batuka Nowa igihe yariko yinjiza ibikoko mu bwato.

6

Ntibigeze bareka gucumura ku Mana. Ntibasavye ngo binjire mu bwato.

7



Mu nyuma, ibikoko vyose n'inyoni zose birinjira mu bwato. "Injira mu bwato," Imana ibwira Nowa. "wewe n'umuryango wawe." Nowa, umugore wiwe, abahungu biwe batatu n'abagore babo barinjira mu bwato. Hanyuma, Imana irugara umuryango!

8



Hanyuma, imvura iragwa. Imvura y'urutavanako ikwiza amazi hose kw'isi ku misi n'amajoro mirongo ine.

9



Imyuzurira yuzura ibisagara n'imihana yo ku misozi. Imvura ihise, n'imisozi yari yafutswe n'amazi. Ikintu cose gihema carapfuye.

10

Uko amazi yaduga, niko ubwato bwarereremba hejuru. Vyoshoboka ko hatabona imbere mu bwato, canke ko hadudagura, canke ko hari hateye ubwoba. Ariko ubwato bwahishije Nowa ngo akire umwuzurira.

11



Haciye amezi atanu y'umwuzurira, Imana irungika umuyaga wo kwumisha. Bukebuke, ubwato buratekana hejuru y'imisozi ya Ararati. Nowa aguma imbere mu bwato iyindi misi mirongo ine, amazi nayo ariko arasubira inyuma.

12

Nowa arungika igikona hamwe n'inuma acishije mw'idirisha yuguruye. Kubera ko itashoboye kuronka ikibanza ciza cumutse, inuma iragaruka kwa Nowa.

13

Haheze indwi imwe, Nowa arasubira arageregeza. Inuma igarukana ibabi ry'igiti c'umusukoni gitotahaye mu kanwa kayo. Mu ndwi ikurikira, Nowa amenya ko isi yumye kuko ya numa igarutse.

14

Imana ibwira Nowa ko hageze kuva mu bwato. Nowa be n'umuryango wiwe barasohora vya bikoko.

15

Mbega amashimwe Nowa yatanze! Yubaka igicaniro kandi asenga Imana Yo Yamukijije be n'umuryango wiwe uyo mwuzurira uteye ubwoba.



16

Imana iha Nowa isezerano ry'igitangaza. Ko Itazokwigera isubira kurungika umwuzurira mu gucira imanza z'icaha c'umwana w'umuntu. Imana itanga icibutso c'isezerano Ryayo. Umunywamazi niwo wabaye ikimenyetso c'Imana.



17

Nowa n'umuryango baronka intango nshasha inyuma y'umwuzurira. Muri ico gihe, abamwamukako basubira gukwira isi. Amahanga y'isi yose yamutse kuri Nowa n'abana biwe.



18

Nowa hamwe n'Umwuzurira

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 6-10

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Imana irazi ko twakoze ibibi, ivyo yita icaha. Igihano c, icaha ni urupfu.

Imana iradukunda cane yarungitse umwana wayo, Yesu, gupfa ku musalaba hama ariha igihano cacu. Yesu yasubiye kuba muzima hama asubira mw'ijuru. Ubu rero Imana ishobora kuduharira ivyaha vyacu.

Ushaka kuva mu vyaha, bwira ibi Imana: Mana nziza, Ndizera ko Yesu yapfuye ku bwanje ubu akaba ari muzima. Rero ingo mu buzima bwanje uharire ivyaha vyanje, kugira ubu ngire ubuzima bushasha, hama nze mbane na we ibihe bidashira. Mfasha kubaho ku bwawe nk'umwana wawe. Amen. Yohana 3:16

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose.